ISHIRAHAMWE RIHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU "ITEKA"

Uwo uri wese ubahirizwa

# ICEGERANYO C'INDWI

## "Iteka n'Ijambo"

***Indwi yo kuva kuwa 31 Ntwarante-6 Ndamukiza 2025***

## *0. INTANGAMARARA*

Iki cegeranyo cerekena agateka ka zina muntu n'umutekano bigeze ahatemba mu Burundi.Haharurwa abantu 4 bapfuye,umwe yanyurujwe, umwe yaborejwe igufa na 3 bahuye n'ihohoterwa rifatiye ku gitsina.

Agateka k'abantu no muri politike, imibano n'ubutunzi hamwe n'imico kama navyonyene birihwezwa muri kino cegeranyo. Umwihwezo wa politike, ubutungane n'umutekano navyo barabitubarira muri kino cegeranyo.

Imbonerakure, abapolisi n'abatware bagirizwa kuba mubikekwako ayo mabi yo guhonyanga agateka ka zina muntu.

**IBICE BIKURU BIKURU**

*I. UMWIHWEZO*

*II. UBURENGANZIRA BW'ANYAGIHUGU NA POLITIQUE*

*III. UBURENGANZIRA M'UBUTUNZI, IMIBANO N'AKARANGA*

*IV. AGATEKA KUMIGWI Y'ABANTU YIHARIWE*

# IBIRIMWO

*I. UMWIHWEZO……………….……………………………………………………………………………….....4*

*I.1. UMWIHWEZO WA POLITIKE ........................................................................................... 4*

*I.2. ISHUSHO Y'UBUTUNGANE........................................................................................... 5*

*1.3. ISHUSHO Y'UMUTEKANO............................................................................................ 5*

*II. UBURENGANZIRA BW'ABANYAGIHUGU NA POLITIKE.................................................. 7*

*II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA...................................................................................... 7*

*II.1.1. UBWICANYI BW'ABANA BATO .................................................................................. 7*

*II.1.1.1. Abantu bishwe n'abantu bataramenyekana ................................................................ 7*

*II.1.1.2. Abantu bishwe kubera ivyo baheraniraniye................................................................ 7*

*II.1.1.3. Abantu banyurujwe bakanaburwa irengero................................................................ 8*

*II.1.1.4. Ibangamirwa ry'ubuzima ......................................................................................... 8*

*II.2. UKUBAHIRIZWA KU MUBIRI CANKE MU MUTWE........................................................ 8*

*II.2.1. ABANTU BABOREJWE IGUFA N'IMBONERAKURE..................................................... 8*

*II.2.2. IHOHOTERWA RISHINGEYE KU GITSINA ................................................................. 9*

*III. UBURENGANZIRA MU MIBANO,UBUTUNZI N'AKARANGA ......................................... 10*

*III.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI………………………………………………………….……10*

*III.2. UBURENGANZIRA MUVY'INDERO NYIGISHO............................................................ 11*

*IV. AGATEKA KUMIGWI Y'ABANTU YIHARIWE ............................................................. 12*

*IV.1. AGATEKA K'ABANA……………………………………………………………………......12*

*V. UGUSOZERA HAMWE N'IBISABWA............................................................................. 13*

# *IMPFUNYAPFUNYO*

| | |
|---|---|
| ***BRARUDI*** | *: Ihinguriro ry'ibinyobwa mu Burundi* |
| ***CDS*** | *: Ivuriro ritoya* |
| ***CNDD-FDD*** | *: Ihuriro ry'igihugu riharanira demokarasi-ishami ryo kwivuna abasi* |
| ***CNL*** | *: Ihuro ry 'igihugu riharanira kwishira no kwizana* |
| ***ECOFO*** | *: Ishure shingiro* |
| ***FDLR*** | *: Igisirikare giharanira demokarasi hamwe no kwishira no kwizana vy'Urwanda* |
| ***FDN*** | *: Igisirikare kigwanira igihugu* |
| ***FLN*** | *: Urunani rwo kubohoza igihugu* |
| ***FOMI*** | *: Uruganda Ruhingura amase y'Intabire* |
| ***RDC*** | *: Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo* |
| ***TGI*** | *: Sentare nkuru y'Intara* |
| ***UPRONA*** | *: Urunani ruharanira iterambere ry'igihugu* |

# I. UMWIHWEZO

## I.1. UMWIHWEZO WA POLITIQUE

Muri kino gihe c'iki cegeranyo umwihwezo wa politike waranzwe n'ibihe bitandukanye vyerekana neza na neza ibikorwa vy'imyiteguro ku matora yimirije,kuwa 5Ndamukiza 2025, i Gitega kukibuga citiriwe Ingoma, harahimbarijwe kubugira 4 umusi mukuru wahariwe abakenyezi bahurikiye mu mugambwe CNDD-FDD, uzwi kw'izina rya « Umukenyererarugamba Day ». Ico gikorwa cuguruwe n'urugendo rw'akanyamuneza rw'abakenyezi n'abigeme bahurikiye mu mugambwe. Hakwirikiye amajambo menshi yavuzwe, harimwo iry'umupfasoni Mariya Goreti Yamuremye, umukuru w'umuhari w'abakenyererarugamba, hamwe n'irya Reveriyano Ndikuriyo, umunyamabanga mukuru w'umugambwe CNDD-FDD.Umupfasoni Yamuremye yarashimiye umugambwe wo wateguye ico gikorwa, ukanerekana neza uruhara rw'abakenyezi bafise ivyicaro bikomeye munzego,bigaragaza ko umukenyezi ari kirumara mu Burundi. Mu mvugo y' umunyamabanga mukuru w'umugambwiwe imbere y'ibihumbi n'ibihumbagiza vy'abanywanyi,arashimika ku ciyumviro c'uko ubuhizi busaba utwigoro ,akanaburira abamuyoboka amaterabwoba adahera y'abansi ba Reta,yerekanywe n'ivyo ashikiriza kuvyerekeye inanirwa ry'abakeba mu gutembagaza umutekano watsimbataye.

Kuri uwo musi nyene mu ntara ya Ruyigi, urwaruka rw ' imbonerakure muri zone Busoro baratanguje ibikorwa vyo kwinonora imitsi mugatondo berekana inyifato ziteye ubwoba kubo batavuga rumwe muri politike. Bahejeje gutororokana, barirutse ikirere kitari gito basubira aho batanguriye, ari naho babandanirije imyimenyerezo y'inguvu. Mu myambaro y' umugambwe, barariirimvye ivyivugo biteye ubwoba vyateguriwe gutera ubwoba abanywanyi b'iyindi migambwe, cane cane abo batavuga rumwe, kurubwo rero babura icuka kibi mubanyapolitike.

Kuwa 30 Ntwarante 2025, harabaye inama y'umugambwe UPRONA mu Rusengo, ari no muri nya nama nyene abanywanyi b'ijunja nka Jean Claude Ndayiragije na Innocent Hakizimana bazanye intererano ku banywanyi batobato. Abatavuga rumwe na Reta buzuye ubwoba, bwunyuwe n'ikizura ry'Imbonerakure mw 'ijoro, iryo kizura rikaba rigamije kugenzura ibikorwa vy'abo badahuje ivyiyumviro.Ayo makizura yarondera kumviriza no kugabisha ama nama yo mukinyegero hagati y'ababagwanya, bigatuma uwo mugwi wa politike ugira ubwoba ukongera ugata n'icizere. Abaserukira UPRONA barateye intege ababo ngo bashire ubwoba kandi baninjize abanywanyi bashasha mugutegura amatora yimirije. Kurundi ruhande, inama y'umugambwe CNDD-FDD yarabaye kuwa 31 Ntwarante 2025, muriyo abayobozi bo hasi bahawe itegeko ryo kuraba uko abantu bose bo kubucimbiri bwabo boja mu mugambwe.

Naho hari abatabihurijeko hakaba kandi n'abasivye benshi muri iyo nama, ubwigoro bwarashizweho muntumbero yo kwegeranya uburyo bwagenewe gusubiramwo ingoro y'umugambwe kumutumba.

Muguheraheza,kuwa 5 Ndamukiza , izindi nama zibiri zarabaye mu ntara ya Cankuzo, zigirishijwe n'abaserukira Imbonerakure hamwe n'abakenyererarugamba, zikaba zari zigamije guhimiriza abanywanyi b'iyo mihari ibiri,uwurwaruka n'uwo abakenyezi, ku matora yimirije.Umwihwezo w'ibigaragara werekana ko ku mutumba wa Muterero,zone,komine n' intara ya Cankuzo, umugambwe CNDD-FDD uhafise abanywanyi bake dufatiye ku nama zibiri zabaye, imwe y'urwaruka rw'imbonerakure, ku gacimbiri Rusange n' iy' Abakenyererarugamba ku gacimbiri Muterero,mugihe umugwi munini w'abahaba ushigikiye imigambwe itavuga rumwe na Reta, nka UPRONA na CNL. Ivyo vyerekana amahinduka ya politike atoroshe hamwe n'ishusho y'amatora irangwa n'imitima ihagaze hagati y'umugambwe uri kubutegetsi n'abo batavuga rumwe.

## *I.2 UMWIHWEZO KU BUTUNGANE*

**Umupolisi yaciriwe urubanza rwo gupfungwa umunyororo wo guherayo azira kwica hamwe n'ugutabagura umugore wiwe**

Kuwa 31 Ntwarante 2025, sentare nkuru y'i Muyinga, yaciye urubanza rwa Anicet Niyonzima, umu polisi yagiriwe no kwica umugore wiwe Violette Tuyisenge,vyakwirikiwe no gutabagura ikiziga ciwe. Anicet Niyonzima yaciriwe urwo gupfungwa umunyororo w' ubuzima bwiwe bwose, igihano gisumba ibihano vyose bitegekanijwe mu gitabo mpana vyaha c'Uburundi. Ibirenga kuri ico gihano ruhasha, sentare nkuru y'i Muyinga yahaye itegeko Anicet Niyonzima ryo guha imiriyoni 50 z'amafaranga y'amarundi umuryango w'uwishwe nk'indishi y'akababaro. Iyo ngingo y'ubutungane imaze kuba burundu kandi ntasubirwamwo, Anicet Niyongabo azoca yerekanwa kumugaragaro mukibanza co hagati muri komine Muyinga muntumbero yo gushimangira k'uburemere bw'icaha, rwongera ruba akaryo kubanyagihugu ko kubona ingarukambi zo gukora ikibi.

Urwo rubanza rwazanye ibigumbagumba hamwe n'akababaro kuri bose,vyerekana intuntu n'agahinda bitegwa na mwene ako kabi. Akamaro kubutungane hamwe n'ugukingira agateka ka zina muntu vyariyerekanye muri urwo rubanza.

## *I.3.ISHUSHO Y'UMUTEKANO*

Ishusho y'umutekano mu Burundi muri kino kiringo c'icegeranyo iserura igwirirana riteye ubwoba ry'imyimenyerezo ya gisirikare irimwo indirimbo igirwa n'Imbonerakure muri komine Nyabitsinda, iri muntara ya Ruyigi co kimwe no mubindi bice vy'igihugu. Ivyo bikorwa bituma haba uruhagarara rurenze kandi bikavyara kwinubana mubanyagihugu, bikerekana umutekano muke.

Kuwa 5 Ndamukiza 2025, ku mutumba wa Nyabitsinda, intara ya Ruyigi, urwaruka rw' Imbonerakure, harimwo Augustin batazira Kajisho,atwara imbonerakure muri zone Nyabitsinda,Eric,Damien, Deo na Desire azwi ku ritazirano rya Komanda, bava mu mitumba yose yo mw'iyo zone barahuriye muntumbero yo kwinonora imitsi no kugira imyimenyerezo ya gisirikare.Kubwo amakuru avayo, isaha 11.30 yo mugatondo, ababa i Nyabitsinda barikanguye bumvise indirimbo z'urwo rwaruka rw'imbonerakure bagira imigwi. Kandi kubwo ayo makuru nyene, izo mbonerakure zahuriye ku kibuga ca Komine Nyabitsinda igihe c'isaha 12 z'agatondo. Baciye bafata ibarabara rija mu Kinyinya bagenda bararirimba indirimbo z'umugambwe uri kubutegetsi hamwe n'indirimbo ziryosharyosha abanywanyi b'iyindi migambwe ngo binjire mu wabo.

Muvyivugo vyumviswe , haravuzwe : *« Barabahenze inkona ntiyaruzwa, burakeye tuvyereke abagabo, uwutazokwishikana azoja kurondera kwinjra bitagishoboka ». Dukeneye amajwi yose ijana kw'ijana mu matora yimirije.Amatora yaraheze dusigaje guharura gusa. Dukeneye ko mumwaka wa 2026 atawundi mugambwe uzoba ukivugwa muri zone Nyabitsinda,bibandanya bivugwa n'ugo rwaruka rw'imbonerakure.*

Inyuma yo kwinonora imitsi, hafi igihe c'isaha 4, baciye basubira ku kibuga ca komine Nyabitsinda kugira bimenyereze ku myimenyerezo ya gisirikare muntumbero yo kwitegurira kwerekana inkomezi z'uwo mugambwe bizobera muri komine Kinyinya kuwa 12 Ndamukiza 2025, kubwo ayo makuru nyene. Urwo rwaruka rwari rwambaye udupira tw'umugambwe n'amapantaro asanzwe, n'ivyatsi ku mutwe nk'uko abasirikare babigira bari mumyimenyerezo. Bari bafise kandi amashami y'ibiti canecane ay' imyumbati. Kubwo ayo makuru nyene, mu matora ya y'ama komine, CNDD-FDD niwo mugambwe wonyene wemerewe kwitaba amatora muri komine Gisuru, mu ndinganizo nshasha ifatira hamwe ama komine ya kera ya Gisuru, Kinyinya na Nyabitsinda.

Mu ntara ya Kirundo, inkuru yashikiriye ishirahamwe Iteka kuwa 1 Ndamukiza ,ivuga ko kuva kuwa 13 Ruhuhuma 2025, inyuma y'ijambo ry'umukuru w'igihugu muri komine Bugabira, u Burundi bwitegurira intambara ibahuza n'urwanda. Umukuru w'imbonerakure mu ntara ya Butanyerera, hakwirikijwe

indinganizo nshasha , Abel Ahishakiye, uwuserukira igendereza ry'igihugu kurwego rw'intara, arikumwe n'uwutwara igipolisi ku rwego rw'intara na buramatari, batanze itegeko ryo gushiraho utugozi mu makomine, guhagarika uruja n'uruza rw'abanyonga amapikipiki kuva igihe c'isaha 2 z'ijoro hamwe no kugara ubunywero igihe c'isaha 6 z'igicugu kugira bacunge uruja n'uruza rw'abantu batazwi.

Utugozi twarashizweho kandi inkoho zaratanzwe na Abel Ahishakiye kuwa 15 Ntwarante 2025 hamwe hamwe muhagiye utugozi. Muri komine Busoni, utugozi dukuru 9 twarashizwe ho kandi hatangwa inkoho 13, harimwo 3 zibitswe kwa Jean Baptiste Nzigamasabo batazira Gihahe,atanga ku tugozi tubiri i Kabanga, i nkoho4 zabitswe kwa Ndururutse Vital z oku tugozi 2 mu Bishasha n'i Gatete, inkoho 3 kwa Minana Jean Paul, umwigisha kwishure shingiro KumanaI zo ku tugozi 2 i Nyagisozi , n'inkoho 3 i Sigu zibitswe ku kirindiro c'igipolisi, zitogwa buri muhingamo n'uwitwa Thomas, umuforoma akaba yahoze ahagarariye ivuriro rya Sigu, ni izo ku tugozi 3 twashizwe i Sigu.

Muri komine Bugabira, utugozi 8 twarashizweho n'inkoho 10 ziratangwa, harimwo 4 zibitswe kwa Nyandwi batazira Dorokas kugira zizohabwe ku tugozi 3 i Kiri na Kiyonza, inkoho 2 i Ruhehe zibitswe kwa Buringo, umudandaza hagati mu Ruhehe, n'inkoho 4 zibitswe kwa Marcel, uwahoze atwara umutumba wa Gitwe kugira zizotangwe ku tugozi 3 twashizwe i Gitwe n'i Nyamabuye. Muri komine Kirundo, hashizweho utugozi 5 n'inkoho 8 ziratangwa, harimwo 4 zibitswe kwa Ryambabaje wo mu Kavomo zo kutugozi 3, ako mu Murama,Kavomo na Kigozi ,hamwe na 4 zibitswe kwa Rukingamubiri wo ku Ceru zo ku tugozi 2 ku Ceru no ku Rukuramigabo.

Muri komine Bwambarangwe, utugozi 4 twarashizweho n'inkoho 7ziratangwa, harimwo 3 zibitswe kwa Mutabazi zo kutugozi 2 mu Kimeza n inkoho 4, harimwo 2 zibitswe kwa Bizimana na 2 zindi kuwitwa Philibert zo ku tugozi 2 two ku Buhoro na Kabuyenge. Muri komine Vumbi : utugozi 3 twarashizwe ho n'inkoho 4 ziratangwa ku mbonerakure, harimwo inkoho 2 zifiswe n'Imbonerakure zitaramenyekana zihabwa utugozi 2 iNyagatovu na Gahe, hamwe n'akagozi a Kabuye utera uja mu Gitobe itagira ikoho, ariko icunzwe n'Imbonerakure zifise i Mipanga.

Muri komineNtega : Utugozi5 twarashizweho n'inkoho5 ziratangwa, harimwo 3 i Mugendo i ruhande y'uruzi Kanyaru, hamwe n'inkoho 2 zibitswe ku mbonerakure, Ndikuriyo, n'utugozi 2 ku Ntega hagati n'inkoho3. Muri komine Gitobe : utugozi 2 twarashizweho n'inkoho 3 zaratanzwe .Utwo tugozi turi kugwinjiriro no kw'isohokero rya komine Gitobe, izo nkoho 3 nazo zishinguwe kuwahoze ari musitanteri wa komine, zigacungerwa n'Imbonerakure zikuranwa. Ni ngombwa ko tumenyesha ko umuntu wese aca kutwo tugozi abwirizwa kuba afise karanga muntu.

Kuva kuwa 31Ntwarante gushika kuwa 2 Ndamukiza 2025, abaserukira imigwi ya CNDD-FDD mu ntara ya Karuzi barategekanije iharura ry'abaywanyi b'umugambwe n'abatari abanywanyi.Ico gikorwa cabaye mu gusanga abantu mu mihana yabo, bagamije kugira urutonde rwikwije mukubaza abahaba kuvyerekeye aho bahengamiye, ko bazoja mu matora hamwe n'ivyo boba badashima ku mugambwe. Iryo tororokanya ry'amakuru ryazanye amakenya kubatari muri CNDD-FDD, bakibaza ko hashobora kuba inkurikizi. Iharurwa ryaherahejwe kuwa 2 Ndamukiza 2025 igihe c'isaha1yo kumuhingamo.

Mugusozera, ivyaduka vy'ubusuma vyaravuzwe muri komine Butaganzwa,intara ya Ruyigi.Kubw'inkuru yaronswe n'ishirahamwe Iteka kuwa 5 Ndamukiza 2025 ababa muri iyo komine barerekana akababaro kubusuma bwiyongera haba mu mirima canke mu mihana, bikaba vyafashe igice kinini.

Ku mitumba nka Caragata, Nyangurube, Kivumu, Musenga na Titi,iri muri zone ya Mugege muri komine Butaganzwa, amakuru dukurayo atumenyesha igwirirana riteye amakenga ry'ubusuma ry'ibitungwa bitobito hamwe n'ibiguruka. Ibikoko nk'impene, inkwavu n'inkoko nivyo canecane bironderwa, bigatera amakenga mubanyagihugu no mu borozi babona bageramiwe muri ako karere.

# *II. UBURENGANZIRA BW'ABANYAGIHUGU NA POLITIKE*

## *II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA*

### *II.1.1. Ubwicanyi bw'abana*

#### *II.1.1.1. Abantu bishwe n'abantu bataramenyekana*

***Umwana yapfuye muri komine Buhiga, intara ya Karuzi***

Kuwa 2 Ndamukiza 2025, hafi isaha2, ku mutumba, zone na komine Buhiga, intara ya Karuzi, umwana afise umwaka avuka ku wo bita Joseph,umunywanyi w'umugambwe CNDD-FDD, afise imyaka irenga 48, n'umugore wiwe bita Mwiza, umunywany w'umugambwe CNDD-FDD, afise imyaka 37 yarapfuye inyuma yaho anywereye umuti w'ikirundi uvura uburozi. Kubwo uwavyiboneye, uwo muryango waragiye kuwo bita Laurent,umwigisha akaba n'umunywanyi w'umugambwe CNDD-FDD, afise imyaka 45, kugira bapime ko umwana yahawe uburozi kubera Laurent yivugira ko abizi kandi atanga imiti. Kubw'ayo makuru nyene,Laurent yaremeje ko umwana yarozwe aca amuha umuti hanyuma umwana aca arapfa inyuma y'iminota30 ahejeje kunywa ivyo bise umuti. Mugihe umuryango utwaye ikiziga mu buruhukiro ku bitaro vy'i Buhiga, abakozi bo ku bitaro ba bamubajije icatumye urwo rupfu baca babarira igi polisi gihagarika Laurent. Yarapfungiwe mw'ibohero ry'igipolisi i Buhiga kugira akingirwe ukwihora kwa se w'umwana hanyuma ararekurwa kuwa 5 Ndamukiza inyuma y'amaziko y'umwana.

#### *II.1.1.2. Abantu bishwe kubera amatati*

**Umukenyezi yishwe muri komine n'intara ya Muyinga**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 31 Ntwarante 2025 ivuga ko kuwa 24 Ntwarante 2025, ku Gacimbiri Muyaga, agatumba Kinyota,zone,komine n'intara ya Muyinga, Viollette Tuyisenge, batazira maman Divine, nyina w'abana 3, yarishwe n'umugabo wiwe Anicet Niyonzima, umupolisi. Kubwo abahashitse, uwo mwicanyi yiciye uwo mugore muhira iwe aca amuhimbagura ashira ikiziga mu mufuko kugira vyorohe kumutwara. Yamushize ku pikipiki aca amuta ku mutumba Kayenzi, ku barabara Muyinga-Cankuzo. Kubwo ayo makuru, uwo muhisi ntiyari abanye neza n'umugabo wiwe yari afise umuhabara kandi yaguma imisi yose arondera kumwirukana kugira amusubirize n'uwo muhabara. Sentare yagize amatohoza hanyuma uwanyonga i pikipiki yararimenye haca hasomwa urwo gufatanwa itonga kuwa 31 Ntwarante 2025. Anicet Niyonzima yaciriwe urwo guherayo n'indishi y'akababaro ya miriyoni 50 ahabwa umuryango wa Violette Tuyisenge.

**Umugore yishwe muri commune na province Muramvya**

Kuwa 2 Ndamukiza 2025, ku mutumba Biganda, komine n'intara ya Muramvya, Anitha Nduwayo, afise imyaka 31, yarishwe n'umugabo wiwe Ndayishimiye Methode, afise imyaka 39, umunywanyi w'umugambwe CNDD-FDD. Kubw'abavyiboneye, uwagize ivyo vyago yari yarirukanywe n'umugabo wiwe kuva muri Nzero 2025, amwagiriza ubugumba kubera hari haciye imyaka 3 ataronse umwana.Umugabo yari yasavye kwahukana mu mategeko biranka. Yari yaranamwemereye amahera angana na 500,000 kugira yemere kwahukana ariko yari yaramwankiye. Munyuma, yemereye amahera angana na 20,000 umuntu ava mubwoko bw'abatwa yitwa Nyaritama kugira amwice. Kubwo amakuru ava mu gipolisi, Nyaritama yaremewe ko yari yatumwe na Methode, umugabo wa Anitha. Methode yarafashwe n'igi polisi kuwa 3 Ndamukiza 2025 mu Gatumba aho yagomba guhungira muri Repuburika iharanira demokarasi ya kongo. Ubu muri iki gihe, ari mw'ibohero ry'igipolisi mu ntara ya Muramvya.Kubwo ayo makuru nyene yo mu gipolisi, yoba yaramaze kwemera ko ariwe yicishije umugore wiwe, mu matohoza yibanze yagizwe n'inyamiramabi Nimpagaritse Fabien.

### *II.1.1.3. Abantu banyurujwe n'ababuzwe irengero*

Umuntu umwe yaranyurujwe muri komine Ntahangwa, intara ya Bujumbura,ku wa 2 Ndamukiza 2025, mu micungararo y'isaha imwe yo mugatondo.Akabi kabishe kabaye kukasoko, hasanzwe hazwi kw'izina ryo kw'isamariro, kari kurya 15 Maramvya,muri zone Buterere, muri komine Ntahangwa, intara ya Bujumbura. Uwahuye n'amakuba, Fidele Nkurembone , umunywanyi abushitse wa CNL iyoboka Agathon Rwasa, afise imyaka 46, akaba na se w 'abana 7 yemera,yaba kurya 15. Yatwawe kuburyo bw'inguvu n'aba polisi, muribo harimwo Athia Nduwimana, umu polisi akaba n'umukozi w'igendereza ry'igihugu. Kubwo amakuru yavuye muri benshi bavyiboneye bari bahari, vyabonrka ko uwo yagize ivyago yari agiye kw'isoko ryo kw'isamariro, aho yakwirikirana ibikorwa vya misi yose vy'urudandazwa.

Imodoka yera, yo mubwoko bwa Toyota, ifise imparati BA 049, y'ibiyo bisize yari imurindiriye.

Muri iyo modoka, harimwo abantu bambaye umwambaro w'igipolisi. Umwe wo muribo ubwo nyene yaciye yerekana Fidel Nkurembone mu kumutuma urutoke, abo bicanyi baciye bamusimbirako, bamwaka kunguvu impfunguruzo z'ikibanza adandarizamwo hamwe n'agasakoshi ko mu mugongo.Baciye batangura kumukubita,ariko n'aho Fidel Nkurembone yagerageje kwigwanira, baruhiye kumutwara ku nguvu. Abamunyuruje bamujanye ahantu hatazwi, batera baja mu gisagara ca Bujumbura. Ni ngombwa kumenyesha ko Fidele Nkurembone yari umugenzi cane wa Elie Ngomirakiza, aserukira umugambwe CNL muri komine Mutimbuzi kandi yanyurujwe kuwa 9 Mukakaro 2021, inyuruzwa atamakuru yaryo kuva ico gihe. Kubwo abegereye Fidele Nkurembone, yaheruka kugaruka mu gihugu muri Kigarama 2024, inyuma y'igihe i Dubai, muri Emirats arabes unis, iyo yari yaragiye muri 2022 mu cizere co kuronka akazi. Kubera iryo nyuruzwa ryiwe ritangaje, abaryango n'abamwegereye bararonderanye umwiheburo mu mabohero menshi i Bujumbura, mugabo inguvu zabo zabaye iz'ubusa gushika ubu.

Umuryango wa Fidele Nkurembone uraraje ishinga birenze n'umutekano wawo hamwe no kubaho neza, bagatinya ku buzima mubihe bimeze uko.Ibintu bikikuje iryo nyuruzwa biragoye, cane cane kubera ririmwo abambaye umwambaro w'igipolisi hamwe n'umukozi w'igendereza.Ivyo bizana ibibazo bikomeye vyerekeye ko vyoba biciye mu mategeko hamwe n'ivyatumye iryo nyuruzwa ritemewe.

### *II.1.1.4. Ibangamirwa ry' ubuzima*

**Igerageza ry'ubwicanyi mw'ibohero rikuru rya Gitega**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 4 Ndamukiza 2025 ivuga ko kuwa 29 Ntwarante 2025, hafi isaha 12 z'igitondo, Nyabenda Richard yahatswe gupfira mw'ibohero rikuru rya Gitega. Kubwo uwavyiboneye, uwitwa Elvis, nawenyene apfunzwe, yafashe imbugita aca ayizibura Richard munda mugihe yari akiri mu gitanda mw'itiro rinini. Uwo yavyiboneye nyene aramenyesha ko uwabikoze yoba yari afise ubumuga bwo mumutwe.Uwacumiswe yaciye atebukanwa ku bitaro bikuru vya Gitega kugira avurwe vyihuta mugihe uwamucumise aboshwe mw'ibohero.

## *II.2. UKWUBAHIRIZWA KU MUBIRI CANKE MU MUMUTWE*

### *II.2.1. ABANTU BABOREJWE IGUFA N'IMBONERAKURE*

**Umuntu yaborejwe igufa muri komine Buhiga, intara ya Karuzi**

Onesime Citegetse, umusore w'imyaka20, umunywanyi w'umugambwe CNDD-FDD, yaraborejwe igufa n'Imbonerakure ku musozi Rwingoma, komine Buhiga,intara ya Karuzi, kuwa 31 Ntwarante 2025. Kubwo abari bahari bavyiboneye, barongowe na Egide na Ezechiel, bamwagirije ko yahonyanze agapira kiwe k'umugambwe CNDD-FDD no kuba umunywanyi w'umugambwe CNL. Kubwo abo nyene bavyiboneye, baranamwagirije kugomba kwica Imbonerakure z oku musozi Muyange kubera yari afise imbugita.

Onesime Citegetse yarahagaritswe mugihe yari agiye guhamvya nyina wiwe ngo amuherekeze mu mwiza. Yarakubiswe mu minuta 30 imbere ko nyina ashika imbonerakure zikabona kuvyungururiza kuwundi

musi. Bukeye bwaho,yaravyuwe ategekwa kuriha indishi y'akababaro ya 30000 y'amahera y'amarundi. Inyuma y'imisi ibiri, ku wa 2 Ndamukiza yarakiriwe mu mugambwe CNDD-FDD.Uwaborejwe igufa avuga ko yari umunywanyi ow'umugambwe CNDD-FDD kuva kera ko yari afise n'agapira k'u-mugambwe mugabo atazi igituma bamufashe gutyo.

### *II.2.2. UGUHOHOTERWA GUFATIYE KU GITSINA*

**Umwigeme yashurashujwe ku nguvu muri komine n'intara ya rumonge**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 2 Ndamukiza 2025 umenyesha ko kuwa 25 Ntwarante 2025, ku mutumba Gashasha, zone Kigwena, komine n'intara ya Rumonge,Merveille Niyera, afise imyaka 17 yarashurashujwe ku nguvu na Bizoza Jean Marie. Kubwo ivyabona,uwagirizwa icaha, umusore w'Imbonerakure wo mu mugambwe uri kubutegetsi,kuri uwo mutumba niho yafatiye ku nguvu uwo mwigeme yari mu murima w'imyumbati hama aramushurashuza. Umwigeme ariko aboroga atabaza niho yatabarwa n'abararira ibigazi. Uwo musore yarafashwe kuri uwo musi nyene n'igipolisi co mu Rumonge, arapfungwa mw'ibohero ryo mugipolisi mu Rumonge. Uwashurashujwe yaciye atwagwa mu kigo Humura muri komine Rumonge.

**Umwigeme yafashwe ku nguvu muri komine n'intara ya Muyinga.**

Kuwa 9 Ntwarante 2025 kunzu y'ingenzi HOPE2, komine n'intara ya Muyinga, Gateka Nicole yarahatswe gufatwa kunguvu n'uwuserukira Imbonerakure mu ntara ya Buhumuza , Shabani Nimubona. Kubwo ababibonye b'aho hantu, kuwa 28 Ntwarante 2025, Shabani Nimubona yagiye kuri iyonzu y'ingenzi arikumwe n'umuntu w'umugabo baca bakirwa bongera bazimanwa na Nicole nk'uko bisanzwe. Kuwa 29 Ntwarante 2025, Shabani Nimubona yaragarutse wenyene kuri iyonyubakwa y'ingenzi mu modoka yiwe y'ibiyo bisize aca abaza abaraba ivy'umutekano ko uwo mukobwa umukobwa w'umututsi kazi ava i Bururi akoraho ari ku kazi. Yaciye abatera ubwoba ngo bamuhamagare hama bamwinjiza mu modoka Shabani yarimwo. Shabani yatanguye kumukora ku bihimba nkora mutima anamuha itegeko ryo gukura ipantaro yari yambaye. Nicole yamusavye umwanya kugira aje kwitegura aca ariyugarana mucumba hama abimenyesha umukoresha wiwe ari nawe yaciye aza kumutora mu modoka yiwe hama aramusohokana kugira amunyegeze ahantu h'ibanga. Gushika kuwa 4 Ndamukiza 2025, Shabani Nimubona yaguma ahaca kugira arabe ko yagarutse. Nicole Gateka n'umuryango wiwe bafise mubwoba bwinshi kandi batinya inyuruzwa n'iburwa irengero kunguvu.

**Umukobwa yafashwe kunguvu muri komine Mukike,intara ya Bujumbura**

Kuwa 25 Ntwarante 2025, L.B.I, umwana w'umukobwa afise imyaka 3 n'amezi 2, yarafashwe kunguvu na Willy Irangabiye,umukozi wo munzu, afise imyaka32, ku mutumba Ruziba,komine Mukike ,intara ya Bujumbura. Kubwo amakuru twatororokanije, uwikekwa ko ikibi yoba yikitse mukiza kubera abavyeyi b'umwana atariho bari kugira amufatire ku nguvu muhira.Uwo mwononyi yoba yatanguye gushira urutoke mu bihimba vy'irondoka vy'umwana imbere yo kumwonona. Ibipimo vyo kwa muganga vyaremeje ko umwana yakorewe ivyamfurambi. Bamaze kugaruka, abavyeyi b'umwana bumvise amarira y'umwana wabo hama ubwonyene bataka ubutungane. Uwikekwako icahayaciye afatwa yongera ashirwa mw'ibohero muri parake ya Bujumbura.

## *III.UBURENGANZIRA MU MIBANO, UBUTUNZI N'AKARANGA*

### *III.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI*

**Urudandazwa rw'inzahabu rukingiwe ikibaba n'umukuru w'igihugu hamwe n'umushikiranganji wa mbere**

**Umukuru w'igihugu**

Umukuru w'igihugu be n'umushikiranganji wiwe wa mbere bari hagati mu mugwi ukoresha igikenye wagirizwa kwiba ubutare mu Burundi. Hambavu y'ibihuhusi vyinshi vy'ibiturire, vy'urudandazwa rw'amagendo, vyo kunyuruza amahera, vy' amatungo mu buryo butabereye hamwe n'ukunyaga bibaranga, komine Mabayi yahindutse ikirimbiro rishasha.

Kuva aho bakuriyeho ibirindiro vyanyuma vya FDLR mw'ishamba rya kibira, bari bafise haciye imyaka irenga 15 kugira bahamvye abagwanyi ba Repuburika iharanira Demokarasi ya kongo, umukuru w'igihugu Evariste Ndayishimiye yoba yaboneyeho akaryo ko kurungika abacukurira ubutare muri iyo zone. Kugira habeho ikwirikirana ryose ry'iryo cukurwa ritemewe  n' amategeko, abo bakozi bahembwa kumusi. Vyongeye, abasirikare  bajejwe umutekano waho, harimwo abo mw'igendereza, barashizweho kugira babuze uwariwe wese wo muntwaro yoza Kubuza iryo cukurwa ryo mw'ishamba rya cimeza rya Kibira, ubutunzi bukingiwe.

Igitigiri kitazwi c'abanywanyi ba FDLR boba barasigaye mu Kibira kugira bakorane muri ico gikorwa cinjiza amafaranga menshi.

Ni ngombwa ko twibutsa ko kuva muri 1998, interahamwe za mbere zari zamaze kwinjira i kibira, zitegurira gutera u Rwanda. Iryo shamba c'imeza ritunze inzahabu na korota, rigafita n'isi imera cane ku biterwa mbumbarugo, ryatumye izonterahamwe zibaho neza nubwo nyene ico gihe mu Burundi harangwa intambara. Ubutare bacukura bwababashoboza kugura ibigwanisho, no kwigisha urwaruka akarangamutima k'umuhari FDLR rukinjizwa ku bwinshi.  Iruhande yo gukomoka mu bwoko bw'abahutu bo mu Rwanda, FDLR yamanye ubucuti na CNDD-FDD ikiri mw‘ ishamba mu buseruko bw'iyahoze ari Zaire hagati ya 1996 na 2000, intwaro ya Nkurunziza yari yarunze ubumwe na FDLR na FLN. Benshi mu ntwaro yiwe, harimwo na Nkurunziza ubwiwe nyene, boba barateguye urudandazwa rw'inzahabu n'ibigwanisho.

Inzahabu zoba zafashije nko mukugura ibigwanisho vy'imbonerakure mu makambi y'imyimenyerezo y'i kiribaondes  muri Kongo, imyimenyerezo ifise intumbero yo gushiraho umugwi w'abagwanyi b'abahutu ubangabanganwa na FDN, urikumwe n'abahutu bagize ihonyabwoko mu rwanda, kugira batere urwanda, canke baseruke mugihe habaye ukwihagarararako kw' abasirikare canke abatutsi basanzwe bashizwe mu vyicaro bikomeye kubera amasezerano ya Arusha.

Vuba cane Ndayishimiye n'umushikiranganji wambere wiwe boba barerekanye igisharara c'inzahabu zo mu Kibira. Hagati ya 2022 na 2023, boba barategetse abasirikare,bafashijwe n,abanyagihugu n'inyeshamba baciye kuri Dominiko Nyamugaruka, uwurongoye intara ya gisirikare ya1, gucukura ubutare bwo mu Kibira bitemewe n'amategeko.  Ariko, iryo shirahamwe ryoba ritatanze umwimbu  bipfuza turabiye kuburyo bashitseko.

Imishamirano iherutse kuba batana mu mitwe n'abo muri FDLR batirimukijwe n'ubutare bw'agaciro, bakanakwega amaguru muguhamvya bagenzi babo muri RDC kugwanya M 23, Ndayishimiye yoba yarakoresheje abasitanteri n'abatwara amakambi kugira bumvishe abanyagihugu ko bokwitandukanya n'abagwanyi, ubuhinga bugamije kwiyeza k'u Rwanda.

Inyuma y'ivyo hoba hinyegeje umugambi Ndayishimiye agamije wo gucukura wenyene inzahabu zo mu Kibira, nk'uko umushikiranganji wa mbere abikora i Bukinanyana muri Komine avukamwo, nayo nyene ihana urubibe na Kibira.

**Umushikiranganji wambere**

**C**o kimwe n'umukuru w'igihugu, umushikiranganji wa mbere ari mubintu vyinshi vy'ibiturire,kunyaga, urudandazwa rwa magendo, nk'ubutare. Kuva 2024, ibiranga ahari inzahabu vyaratowe ku mutumba Buhoro,mu gace k'umurima w'ihinguriro ry'icayi OTB Buhoro. Abarimyi batobato bari batanguye icukura, ariko umushikiranganji wa mbere yari yamaze gushirayo abakozi biwe. Mugahemo, mugihe OTB isa niyigomba gutembagara kubera itunganywa ribi, inyuruzwa ry'amahera rigirwa n'abakozi bo hejuru hamwe n'ikena ry 'ibitoro ryisubiriza, iryo shirahamwe rya Reta ririko rigira ingaruka mbi zibonekeza ry'iryo cukura ritemewe n'amategeko,hamwe n'imirima y'icayi idakura neza.

**Ingarukambi kubutunzi bw'abanyagihugu no ku gihugu**

Mugihe ubutunzi bw'igihugu bumaze kugera ahatemba,urwo rudandazwa rw'inzahabu z'amagendo rurimwo abigenga, abatware bo hejuru hamwe n'inyeshamba z'u Rwanda rutanguye kugira ingarukambi zibonekeza ku butunzi bw'abanyagihugu bo muri komine Mabayi kandi bubangamiye ubutunzi bw'uburundi muri rusangi.

Kuba hari ama banki 2 n'ama koperative 2 i Mabayi ntibibuza ibura ryimonogoje ry'amahera muyo gukoresha. Bisigaye bigoye cane, mbere ntibishoboka, ko abatagira urudandazwa rw'inzahabu ko babikuza amahera haba muri banki canke muri koperative. Igiturire carahiziziye gushika aho umuntu afise imiriyoni 100 z'amahera y'amarundi mu bubiko bwiwe ashobora kwankirwa kubikura imiriyoni 2, ariko uwundi atayashikana, ashonora kuronka vyoroshe imiriyoni 15 atanze iguturire.

Babibonye uko, abantu bamwe bamwe bategerezwa guca baja i Bujumbura, ku birometero 106 uva i Mabayi, kugira baronke uburyo bwabo. Abandi, kubera kubura icizere ca banki, batanguye kubika amahera yabo muhira, umugirwa ufise inkwirikizi, ushobora kuzana inkwirikizi mbi cane ku butunzi bwaho.

**Iduga ry'ibiciro vy'ibifungurwa muri komine n'intara ya Ruyigi**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa5 Ndamukiza 2025 ivuga ko intara ya Ruyigi iriko igira iduga ry'ibiciro ry'ibifungurwa ryibonekeza, nko mu ma zone ya Rusengo na Ruyigi. Iryo duga riva kumvo nyinshi, harimwo ubuzimbe bwo kwiyunguruza kubera ubukene bw'igitoro kuma pompo, butuma abafise ama modoka banywesha ku masoko atazwi.Ibifungurwa vyadugijwe ibiciro harimwo amamesa : ikiro 1 gishobora gushikana10500 kw'isoko ryo mu Rusengo. Ikinyobwa gishasha Amstel Bright ca BRARUDI gifatwa nk'ikizimvye cane, kandi kubona ciganzira ububare birashavuza abakunzi ba primus.

Inyifato y'ubutunzi muntara ya Ruyigi iraraje ishinga.Ubwambere,intara yari yarakoroye ibiciro ry'ibiciro vy'ibifungurwa mw'iyimbura. Ariko,ibiri ubu biratandukanye.

## *III.2. UBURENGANZIRA KU NDERO NYIGISHO*

**Yegereyegere y'abanyeshure  kw'ishure nkuru y'i Matana mu ntara ya Bururi**

Abanyeshure bo kw'ishure nkuru y'Imatana mu ntara ya Bururi baragize yegereyegere kuva mu gitondo c'uwa 3 Ndamukiza 2025. Amakuru dukurayo avuga ko aho bogiye mu mashure gutegura ibibazo vy'igice ca kabiri barimwo, abo banyeshure bagize umwigaragamvyo mw'ibarabara ry'igihugu 7umwigaragamvyo waburaburijwe hafi y'ibitaro vy'i Matana n'igipolisi gikorera muri komine hanyuma basubira kw 'ishure.

Abo banyeshure basaba ko umunyeshure yitwa Andre Dushime yirukanywe burundu mu mwaka w'8 kw'iryo shure haciye indwi, yogarukanwa. Umuyobozi w'iryo shure amenyesha ko uwo  muhungu yahanywe kubera yateye akajagari mu buriro, aho imfungurwa zimwe zasesetse izindi zikibwa n'abanyeshure. Sylvestre Ndikuriyo avuga ko uwo munyeshure ariwe yagunze urugi rw'uburiro, abandi barakurikira. Abo banyeshure basaba kandi guhindura biboneka uko bafungurirwa.

Umuyobozi windero mw'i komine, yaciye agirisha inama inyuma y'umutaga kuri iryo shure kugira atore inyishu y 'uwo mwigaragamvyo, agahamagarira abanyeshurs kuvavanura n'ingendo y'imyigaragamvyo. Desire Bizoza ashikiriza ko iyo yegereyegere yabo itagira ishingiro na rimwe, na canecane ko batarekuriwe kugira ico babajije mu kibanza c'umunyeshure yahanywe. Kubijanye no gufungura,Desire bizoza avuga ko inama yafashe ingingo ko uko bafungurirwa bigiye gukurikiranirwa hagufi.

**Abanyeshure bakira icegera c'umunyamabanga w'umukuru w'umugambwe CNDD-FDD mu ntara ya Kayanza**

Kuwa 3Ndamukiza 2025, hagati y'igihe c'isaha 3 na7, ku mutumba Kirema hagati mu gisagara ca Kayanza,icegera c'umunyamabanga w'umugambwe CNDD-FDD muri komine yagutse ya Kayanza yaragendeye abanywani b'uwo mugambwe bo kumutumba Kirema. Abanyeshure bo kw'ishure shingiro rya Kirema bahawe itegeko ryo kuva mu mashure kugira baze kwakira iyo ndongozi y' umugambwe,bashira ivyo bimura kuruhande.Benshi barababazwa na kazoza k'indero y'abo bana na canecane ku mwimbu w'ishure muri iki gihe gikomeye c'ibibazo vy'igice ca kabiri.

**Amashure ameze nabi muri komine Rusaka,i ntara ya Mwaro**

Kw'ishure shingiro Nkundusi, riri kumusozi Nkundusi,zone Makamba, komine Rusaka, intara ya Mwaro,abanyeshure bo mumwaka w'8 bigira mu buryo bubi. Amadirisha yo ku ruhande rwo muburyo ntiyugaye. Amadirisha yakera yo murubaho yariko barayononye kuva kera kandi ntiyasubirijwe. Ico kirase c'8 kuri iryo shure gifise abanyeshure 20 bategerezwa gukwirikirana ivyigwa bari mu mbeho kubera umuyagaukomeye uva ku musozi Gihinga,uri mu buseruko bw'ishure.N'iyo hari izuba, abana bicara kuruhande rw'ayo madirisha arangaye umwanya wose bakubitwe n'imishwarara y'izuba kuva mu gitondo gushika hafi igihe ca'isaha 4 aho izuba riba rikidoma riva mu buseruko.Ibindi birase bibiri(7 ;9) bifise amadirisha y'imbaho kandi iyo yugaye, umwijima uca uza mu kirase. Abavyeyi bamwebamwe b'ababanyeshure bo kw'iyo shure bemeza ko ivyo birase 3 haciye imyaka 10 vyubatswe hagitanguzwa ishure shingiro kugira amashure y'intango ashike muw'icenda.Ivyo birase 3vyari vyubatswe kunguvu z'abavyeyi hamwe n'abahegereye.

## *IV. AGATEKA KUMIGWI Y'ABANTU BIHARIYE*

### *IV.1. AGATEKA K'UMWANA*

**Abana bagaruwe bari bajanywe i Tanzaniya**

Urudandazwa rw'abana ruribonekeza mu ntara za Rutana na Makamba, n'ihagarikwa kuwa 4 Ndamukiza 2025, abana bato batera baja i Tanzaniya,biboneka ko bagiye gukora ibikorwa vyo munzu.Mu Rutana ku mutumba Gitaba, udusoresore tune twarahagaritswe n'igipolisi barikumwe n'uwikekwa ko kubashora. Iyo misoresore,bava muma komine Bukirasazi na Buraza zo mu ntara ya Gitega,bemeza ko bavuye iwabo n'amaguru. Ku baharanira agateka k'abana bahuye nabo,abana vyaraboneka ko barushe kubera urugendo rurerure.

Abo nyene baravuga ubundi buhinga bushasha abo badandaza basigaye bakoresha, mukubafatisha urugendo n'amaguru canke n'ipikipiki kugira ntihagire abajejwe umutekano babasuzuma,bagaca muri komine Bukemba iri mu ntara ya Rutana no mu Kayogoro mu ntara ya Makamba gushika ku mupaka wa Tanzaniya. Abana co kimwe n'abikekwa ko babaherekeje, ubu bari ku gipolisi c'intara ya Rutana, mukurindira ko bumvirizwa.

Kuwo musi nyene muri komine Nyanza -Lac mu ntara ya Makamba, udukobwa 4 two kumutumba Kagongo, mu ntara ya rumonge, nabonyene barahagarikiwe urugendo ku musozi Kabonga,mugihe bariko bagerageza kujabuka urubibe.Aho batandukaniye n'abandi, abo bakobwa nta n'umwe akuze yari abajanye,icatangaje gose abarongozi.Bajanywe ku gipolisi ca Komine Nyanza-Lac mu kurindira ko basubizwa abavyeyi babo abarongozi bamaze kubamenya.

Ivyo bintu biteye agahinda bitanguje ikibazo c'urudandazwa rw'abana baja gucurwa bufuni na buhoro mu bihugu bibanyi bigahamagarira gukomeza isuzuma, ihimiriza n'ikingirwa ry'abana batobato mu ma zone yo ku mbibe.

## *V. GUSOZERA HAMWE N'IBISABWA*

Umuhari iteka uradoma urutoke itituka ry'agateka ka zina muntu mu Burundi hamwe n'ukudahana abakora ivyaha. Urasaba indongozi z'u Burundi gufata ingingo zihuta mu guhagarika ayo mabi no gutsimbataza ukuri,no kunganisha kubavuka gihugu.Kuri ubwo urasaba :

Kuri Reta y'i Gitega ko :

- Yogira amatohoza ku mahohoterwa y'agateka ka zina muntu,ikwirikirana ikongera igahana abavyagirizwa;
- Guhagarika ibikorwa vy'imbonerakure kugira bakinge amabi akoregwa abanyagihugu;
- Kugurura urubuga bakanareka hakaba amatora yigenga,arimwo umuco mukubahiriza intumbero ya Demokarasi;
- Guhagarika icukurwa ry'ubutare bw'igihugu mu kajagari,n'itunga atamvo ry'ibihangange,bikica abanyagihugu b'abarundi.